## UKURI

**INTWARO YA MELCHIOR NDADAYE**

Intwaro ya **Melchior NDADAYE** yaranzwe n'intumbero yarasanzwe afise yo kwubaka uBurundi bushingiye kuri Demokarasi, aribwo yita uBurundi bushasha, uburundi umunyagihugu wese yishira akizana, agateka kiwe kakubahirizwa, ukungana kwabarundi imbere y'amategeko, gushira imbere ibikogwa no gusabikanya itunga ry'igihugu.

Yategekanya ko mumezi atandatu yambere, azoba yatahukanye impunzi, gushiraho itegeko ryo guha uburenganzira abanyagihugu bwo kwitorera ababarongora muma komine no ku mitumba.

Muntumbero yo guteza imbere igihugu, yari yashizeho itegeko ryorohereza abagwizatunga bato bato, mukugabanya cane ingwati batanga, kugira nabo bashobore kuja mu bahiganigwa amasoko ya Leta.

Intwaro yiwe yamaze igihe gito cane, kuko abatashimishwa n'imigambi myiza yari azaniye abarundi, baciye bamugandagura.

Inyuma y'igandagugwa ryiwe, intambara iraduka, uburundi busubira mumarira n'amaganya atagira izina, aho haciye hagandagurwa abarundi benshi cane, impfuvyi n'abapfakazi baba umurengera, abantu barata izabo barahunga.

## UGUCABUGUFI

***N<sup>0</sup>4***

Imigwi igwana iriyongera. Ibihe bitoroshe uburundi bwarimwo, bwabivuyemwo habaye ibiganiro vyadushikanye kumasezerano y'Arusha, ari navyo vyadushikanye kuyindi ntwaro yitorewe n'abanyagihugu mu mwaka w'ibihumbi bibiri na gatanu (2005).

**INTWARO YA PETERO NKURUNZIZA KUVA MU MWAKA W'IBIHUMBI BIBIRI N'AGATANU (2005):**

Ni intwaro yaje abarundi batari bake bayishashaye, kuko bari baruhijwe cane n'intambara, nkako intwaro zose zarongoye uBurundi zamije abarundi mu ndyane z'intambara zurutavananako.

Iyo twaro yari ije nk'urukiza na cane cane kubo mubwoko bw'abahutu.

Ico cizere abarundi bari bafitiye intwaro ya kavashamba ya petero NKURUNZIZA, camaze umwanya urume rumara, abarundi bari bazi ko bagiye kwiruhutsa bose, basubiye mumaganya atari bwakaboneke mugihugu kuva ku ntwaro z'abami.

## UBUNTU

Ntibwakeye na kabiri, ba bahutu bari bazi ko baronse intwaro yabo, ko bavuye kuri za ntwaro zabakandamiza z'abatutsi, batangura kwangazwa, gusahurwa utwabo eka mbere no kwicwa bimwe batari bwabone.

Aha twovuga abarundi isinzi bo mu bwoko bw'abahutu biciwe iMuyinga batabwa mu ruvubu, abiciwe mugatumba, Bujumbura rural n'ahandi.

Ntitwokwibagira akabi kabishe kakorewe uwahoze arongoye uBurundi nyakubahwa Domitien NDAYIZEYE n'uwahoze ari icegera ciwe nyakubahwa Alphonse Marie KADEGE.

Kuva ubwo, abarundi baratahuye ko ata bwoko bubi bubaho ahubwo ko ari intwaro mbi, kuko abahutu bariko barahonywa na bene wabo bari bamaze imyaka irenga cumi mw'ishamba, bagwana bihetse inyuma y'ikinyoma ko bariko bagwanira ubwoko bw'abahutu, bavuga ko bwari bwaracinyijwe n'ubwoko bw'abatutsi, ariko muvy'ukuri atari vyo na gato ahubwo bariko bahiga inyugu zabo gusa.

- Ntitwibagire ko no ku ntwaro ziyitirira ubwoko bw'abatutsi hariho abatutsi benshi bari mu kangaratete ka nyaga na nde, bari bishwe n'inzara gusumvya abahutu, eka mbere hariho nabishwe n'abo bita ngo ni abatutsi bene wabo.

- Intwaro ya NKURUNZIZA ni intwaro yaranzwe no kugwiza cane amabi ataho yigeze aboneka kuva uburundi bwitwa uburundi.

- Ni intwaro yaranzwe n'ubusuma, ukudahana ivyaha, ibiturire vyakataraboneka, akarenganyo katagira izina, gusesagura no kunyonora amatungo y'igihugu, ububeshi butagira izina (mwibuke nkabo bivye imivyaro y'amavoka mu kayanza n'ahandi mukubabesha ngo babahaye isoko atamahera bazobaha), gushira imbere gucanishamwo abarundi, gukundwakaza abo basangiye imigambi mibi, kwomora no gututeza uwo wese adashigikiye imigambi mibi ya NKURUNZIZA n'akagwi kiwe, kwica abatavuga rumwe nawe ugwagashinyaguro (nko kwica abanyagihugu batobagujwe ibiti) aho hose hakoreshejwe inzego z'umutekano arizo zabwirizwa kubakingira, gusambura inzego z'umutekano, kwica abari muminwe y'inzego z'igihugu, guha inyigisho za gisirikare no kuronsa ibigwanisho ugwaruka rwo mumugambwe CNDD-FDD kugira ruhonye abo batavuga rumwe.

- NKURUNZIZA ntanakimwe yibanga nk'uko yamye ashira imbere inda yiwe n'akagwi kiwe, yaremeye arasenyura wa muco wo kuganira wamye uranga abarundi ari nawo wari wavyaye amasezerano y'Arusha agirako arayahonyanga hamwe n'ibwirizwashingiro kugira agume kubutegetsi.

Muri ico gihe, abarundi isinzi barahagurutse, bamwereka ko yakoze ibidakorwa, baja mu mabarabara baramwiyamiriza.

Nk'uko yamye ari ikinani, ntiyigeze ashaka kubona impanuro bariko baramuha, ahubwo ahitamwo kubica impfu z'agashinyaguro (aho hishwe abana batobato, abavyeyi babanje gufatwa ku nguvu, abandi babakuramwo imitima, abagabo babaca ibihimba vy'irondoka,….), ku bapfunga no kubangaza. Ntitwokwirengagiza gukora ibidakorwa mu mico y'abarundi mu kwica abantu bavuye gushingura uwabo.

NKURUNZIZA, kiretse ivyo bibi vyose yakoreye abarundi, yaranzwe kandi no kuzimanganya ishusho y'uBurundi mu makungu no gukura uBurundi mumashirahamwe mpuza makungu (akarorero ni nko gukura igihugu c'uBurundi muri SENTARE MPUZAMAKUNGU MPANA VYAHA) gushika aho uBurundi buharigwa ivomo n'ibindi bihugu nka vyose, ndetse na petero NKURUNZIZA acika gatinya shengero mukutarenga imbibe z'igihugu kugutinya kwicarana n'abandi bakuru bibihugu bivanye n'amabi yakoze yo guhemukira igihugu n'abanyagihugu mu kwihagira ubutegetsi ku nguvu.

Kubera ko abarundi baruhijwe n'amabi menshi batewe n'iyo ntwaro ya NKURUNZIZA, havutse ivyiyumviro vyinshi bituma bigira inama y'ingene bokwikurako iyo ntwaro y'agahotoro, gushika naho havuka iyindi mirwi irwana.

Aho twovuga nka RED TABARA, FOREBU n'iyindi.

Iyo mirwi yose iharanira gusubiza iteka n'itekane igihugu n'abanyagihugu sesankuyoze yabanyaze